ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »


Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

## N° 487 kuva kuwa 11- 17 Myandagaro 2025

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°487 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 17 Myandagaro 2015, abantu bashika 750 babuzwe irengero nibo ishirahamwe iteka ryumvise.***

**Ishirahamwe ITEKA :**

- *Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),*
- *rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.*
- *Umuhari Iteka ugizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32*

## *IMPFUNYAPFUNYO*

***CECI*** *: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora ku rwego rwa komine*
***CEPI*** *: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora ku rwego rw'intara*
***CDS*** *: Ikigo citaho amagara*
***CNDD-FDD****: Inama y'igihugu iharanira intwaro rusangi-urunani rukingira intwaro rusangi*
***DCE*** *: Ubuyobozi bw'indero ku rwego rwa komine*
***EAC*** *:Ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko*
***ECOFO*** *: Ishure shingiro*
***FARDC*** *: Igisirikare ca KongoForces*
***FDNB*** *: Igisirikare c'uBurundi*
***M23*** *: Umuhari wo ku wa 23Ntwarante*
***ODECA*** *: Ikigo co guteza imbere igisata c'ikawa mu Burundi*
***OTB*** *: Ishirahamwe rihingura ibayi mu Burundi*
***RDC*** *: République Démocratique du Congo*
***REGIDESO*** *: Ikigo gikwiragiza amazi n'umuyagankuba mu Burundi*
***RN*** *: Ibarabara ry'igihugu*
***SNR*** *: Igendereza ry'igihuguService*
***UPRONA*** *:Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu*

| Urutonde rw'ibirimwo | Urupapuro |
|---|---|


*0. INTANGAMARARA ........................................................ 1*

*I.UMWIHWEZO ........................................................ 1*

*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE ........................................................ 1*

*I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ........................................................ 4*

*I.3.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE ........................................................ 5*

*I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI ........................................................ 6*

*I.5. UMWIHWEZO W'INTWARO ........................................................ 9*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ........................................................ 10*

*II.1.UBURENGANZIRA BWO KUBAHO ........................................................ 10*

*II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA ........................................................ 10*

*II.1.2. ABANTU BISHWE N'ABO BABANYE BABAKOREYE AMABI MU MAZU ........................................................ 11*

*II.1.3.UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO ........................................................ 11*

*II.2.UKUMVIKANA MURI VYOSE ........................................................ 11*

*II.2.1. KUBOREZWA IGUFA,IMINYORORO N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA ........................................................ 11*

*II.2.2. ABAHUYE N'AMABI AFATIYE KU GITSINA ........................................................ 12*

*II.2.1. UBURENGANZIRA KUMWIDEGEMVYO ........................................................ 13*

*II.2.1.1. AMAHAGARIKWA ACIYE KUBIRI N'AMATEGEKO ........................................................ 13*

*III.UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA ........................................................ 13*

*III.1. IHUNGABANA RY'UBUZIMA BW'UBUTUNZI ........................................................ 13*

*III.2.UBURENGANZIRA KU MAGARA ........................................................ 14*

*IV.UGUSOZERA N'IMPANURO ........................................................ 14*

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi muri iyi ndwi yo hagati y'uwa 11-17 Myandagaro 2025. Iki kiringo caranzwe n'ibihe vy'imyiyamamazo y'abitoreza ku buhanuzwa jambo ku mitumba y'igihugu.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka urihweza kandi ishusho ya politike, y'ubutungane, ubutunzi hamwe n'umutekano. Kirakorera ku bintu bigaragaza amahohoterwa y'agateka k'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku mibano-ubutunzi hamwe n'imico kama.

Amahohoterwa y'agateka ka zina muntu yabonetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka ameze ugukwirikira : n'imiburiburi abantu 4 barishwe harimwo 2 batowe ibiziga, 2 baborejwe igufa, 2 bakorewe amabi afatiye ku gitsina, 2 banyurujwe na 1 yahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Ahanini abikekwa ko ayo mabi ni abantu bo mu ntwaro, abapolisi hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

## *I. UMWIHWEZO*

### *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE*

Politike mu Burundi muri iyindwi yaranzwe n'imyiyamamarizo y'amatora y'abahanuzwa jambo bo ku mitumba, yategekanijwe ku wa 5-21 Myandagaro 2025. Kuri ubwo, ikumirwa n'iterabwoba ry'abitoza batavuga rumwe na Reta berekana amakenga ku vyerekeye iyubahirizwa ry'amategeko. Iburunga, abitoza, ahanini abatavugwa rumwe na Reta, ntibibona ku ntonde zemewe n'amategeko, mugihe abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD baronswa uburenganzira kukwiye ku makuru.Intahe zimenyesha ko abitoza bamwe bamwe batigeze bamenya intonde zashizwe ahabona. Mu ma zone yo mu gihugu hagati, kubona intonde biragoye, bikunyura ukutanganisha. N'aho hari imyidogo, imyiyamamazo irabandanya, ataco Philemon Nahabandi ashikiriza kiboneka imbere y'ivyo yagirizwa. Ibuhiga, Nizigiyimana Issa, Imbonerakure, yatanguye imyiyamamazo yiwe n'uburyo bungana na 4.000.000f. Mugihe abandi bitoza bamanika amasanamu yabo, abanyagihugu barafise amakenga ku biciro vy'amatora ya Issa. Ibara ryaraguye ku wa 11 Myandagaro iGiharo, aho umurima w'umuceri wa Kagoma Elias wononwe, wazana uruhagarara. Marc, Imbonerakure, yagirizwa ako kabi ku mohe y'abaho. Umurima waheruka gusubizwa abanyagihugu, ariko abanywanyi ba CNDD-FDD babandanya barima amatongo, kandi Kagoma abandanya aturubikwa.

*I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 1)*

**Ibintu bibiserura :**

**Umwiyamamazo utamenyerewe w'abiyamamariza gutwara imitumba mu gihugu**

Kuva ku wa 5-21/8/2025, hariko haba imyiyamamazo ku bahanuzwajambo bo ku mitumba ku mitumba yose yo muBurundi. Rimwe na rimwe abiyamamaza bazwi mu migabwe yindi atari CNDD-FDD, naho nyene bidondora ku gatwe kabo,baca bigizwayo canke bagafatwa nabi mu myiyamamazo y'amatora itegeko ry'uburundi ryari risanzwe ryubahiriza.

**Mu ntara ya Burunga,** mu gihe abitoza bamwe bamwe banditswe mu matora y'abo ku mitumba bariko bariyamamaza,abandi benshi benshi muribo bava mu migambwe itavuga rumwe na Reta batangara basanze batari ku ntonde zizwi z'abantu barekuriwe kwitoza.

Intahe zatororokanijwe mu mitumba myinshi yo mu ma komine y'intara zitandukanye, abo bitoza kandi bandutswe, ntibigeze babona intonde zimanitswe ku mugaragaro. Bamenye ko babakuyemwo baratevye, mugihe abo bahiganwa, bobo, bariko biyamamaza kuva kumusi wa mbere.

Mu mazone yo mu gihugu hagati ategereye imigwa mikuru y' amakomine, amakomine amwe amwe agizwe n'ayahoze ari amakomine atatu,ivyo vyarateye amadidane. Abitoza bararondeye n'umwiheburo intonde « zimanitse », baraja no gushika ku migwa mikuru y'ama komine kandi mbere no ku mugwi ujejwe amatora mu ntara. Ariko n'aho nyene nta rwandiko rwemewe babahaye.

Ku rubuga,abitoza barungitswe n'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD, basa n'abarose uruhusha ku ntonde zikwiye kuva bagitangura. Amasoko menshi, harimwo n'ayava mu migwi ijejwe amatora yo nyene, yemeza ko intonde z'abitoza bavyemerewe yamanitswe akanya bato imbere yo kumanurwa ningoga, abakeba bamaze gufutwa.Abitoza ba CNDD -FDD, babimenye hakiri kare ivy'uwo mukenyuro, baciye gutyo ashobora kuja mu myiyamamazo yabo bahiganwa.

Ku barorerezi bamwe bamwe,uwo ni umukenyuro batoye wo kugara amatora, babuze abanyagihugu gushobora gutora abaho bigenga, kandi bareke abitoza bava mu mugambwe uri ku butegetsi bonyene abe aribo baja kwitoza.

Naho hari impari haba izo abakuyemwo canke izo abanywanyi bamwebwmwe bo mu migwi itegura amatora bashavujwe n'ivyo, imyiyamamazo irabandanya ukuri kwamye. Amatora yo ku mitumba ategerezwa kuba ku wa 25/8/2025.

wigenga ujejwe amatora mu ntara ya Burunga, Philemon Nahabandi, kuvyerekeye ivyo yagirizwa.

**Mu ntara ya Gitega**, ku wa 2/8/2025, ku mutumba wa Buhiga, komine Karusi,intara ya Gitega,mugihe c'imyiyamamazo y'amatora y'abakuru b'imitumba n'amakaratiye yatanguye, NIZIGIYIMANA Issa, Imbonerakure yama iriko iravugwa mu bikorwa bibi yaratanguye imyiyamamazo yiwe kugira atware umutumba Buhiga. Kubwo ivyabona vy'aho, inyifato zidasanzwe zariyerekanye cane cane imondoka yo mu bwoko bwa Hilux ifise imashini irekura umuyagankuba hamwe n'icuma gikwiragiza amajwi arikumwe n'izindi mbonerakure zamufasha kuvuza umuziki mu kuzunguruka mu ma karatiye y'umutumba Buhiga. Ayo masoko nyene yongerako ko uburyo butegekanije kuri ico gikorwa ari bwinshi kandi ko ari imfashanyo y'amafaranga yababa 4.000.000f yasabwe abanywanyi ba CNDD-FDD. Abandi bitoza bahisemwo kumanika amasanamu yabo ku biti vy'amatara hamwe no ku bibanza vy'amahuriro. Abanyagihugu bafise ubwoba ko hamwe Issa atowe, bazoriha ayo mahera.

**Mu ntara Buhumuza**, inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17/8/2025 imenyesha ko mu ntara ya Buhumuza,abantu bahaba batanguye kwitegurira amatora yo ku mitumba azoba ku wa 25/8/2025. Ariko rero, abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta muri komine Ruyigi bemeza ko abitoza bankiwe n'umugwi wigenga utegura amatora ku rwego rwa komine mu RUYIGI.

Abantu baja mu matora y'imitumba nka bose bacuditse n'umugambwe uri ku butegetsi

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 2)*

CNDD-FDD mu makaratiye ya SANZU na GASANDA.Kubwo abahinga,umugambwe uri kubutegetsi urondera kugenzura impande zose z'ubutegetsi,ivyo bigashobora kujana igihugu mu ntwaro y'umugambwe umwe.

Muri iyo ntumbero nyene,ibintu biri uko mu bagize abahanuzwa jambo ba komine, aho mu makomine 5 mashasha y'intara ya Buhumuza,abarenga 97% mu bahanuzwajambo 125 bakomoka mu mugambwe uri ku butegetsi.

**Ukutihanganiranira muri politike muri komine Musongati,intara ya Burunga**

Ku wa 11/8/2025, hafi igihe c'isaha 3, muri zone Giharo, komine Musongati, intara ya Burunga, akaga gashasha kaje kuvyura uruhagarara muri zone umurima w'umuceri wa Kagoma Elias, atwara umugambwe UPRONA muri zone, wononywe agatabi.

Kubwo intahe zitandukanye, uwagirizwaako kabi ahanini ni Imbonerakure yitwa Marc, aba aho nyene, yakoreye kumabwire y'abantu benshi baho.

Umurima w'umuceri uvugwa uri mu karere kitwa Munyundo, hagati y'imitumba Mura na Giharo. Uwo murima, urimwo amatati ya kera,wari wasubijwe abanyagihugu biciye ku mushikiranganji w'ubutungane umaze kurimwa n'akagwi gatoya konyene. Naho habaye iyo ngingo, abantu bakomakomeye baho babandanya gusaba ko bohakorera nk'ahiwabo.

Umwaba wa Nyundo,co kimwe n'iyindi myaba yo mu karere, nka Mukazye, warashwawe n'abarongozi baho ba CNDD-FDD, bahapapuye imiryango imwe imwe kugira bahigarurire baharime.

Si irya mbere Kagoma Elias ahohotewe.Mundwi yo ku wa 4-10/8/2025, uwundi mu mirima yiwe, uri muhira iwe, wari warononywe.

**Urugendo mu Burundi rw'umunyamabanga wa Reta ya Saint-Siege, Cardinal Pietro Parolin**

Kuva ku wa 12/8/2025, umunyamabanga wa Reta ya Saint-Siege yagize urugendo rufise insiguro mu Burundi,akaryo k'icibutso cerekana imyaka 60 y'imigenderanire ya politike kagati ya Vatica n'ico gihugu. Urwo rugendo rufise intumbero cane cane nkoramutima, kubera harimwo gushira ibuye rya mbere ry'ikigo c'amagara y' abantu, nk'icibutso caMusenyeri Courtney, intumwa yiciwe i Muturirwa ku buryo bubabaje, muri komine Rumonge, ku wa29/12/2003. Ku wa 14/8/2025, Cardinal Pietro Parolin yararose akaryo ko gutanguza iryo buye ry'umushinge,yongera ahezagira kandi imishinge y'iyizoba iseminare nkuru izo fata izina rya Michael Aidan Courtney. Icibutso, cubatswe ku kirindiro nyene Musenyeri Courtney yiciweko, kitwibutsa ku gumiza ku mutima uwo muntu. Ico kigo c'ubuvuzi gishasha kizoboneka mu ntara ya Burunga,muri komine Rumonge, neza na neza muri zone ya Minago, kugira gitere iteka Musenyeri Michael Aidan Courtney.

Gutanguza ico cibutso vyabaye birongowe na Cardinal Porolin, hari ibihangange bikomeye mu Burundi, harimwo icegera c'umukuru w'igihugu Prospere Bazombanza, hamwe n'abaserukira ibihugu n'abanywanyi bishengero rta Katorika. Mw'ijambo ryiwe, Cardinal Porolin yarashimangiye ku kamaro k'ico kigo c'amagara, avuga ko cerekana iciyumviro c'uko n'ahantu hoba harasesetse amaraso, birashoboka kuhubaka ikibanza gikiza kandi c'amahoro. Prospere Bazombanza yarasabikanije ikigumbagumba ciwe,yiyibutse iryobara ryahitanye musenyeri Courtney, urupfu rwiwe rwiwe rwasize ibimenyetso bikomeye mu mutima w'abarundi. « umwaka umwe nkigenwa nka Buramatari, urupfu guturumbuka rwa Musenyeri Courtney rwarababaje bose. Abarundi babandanya barizwa n'urupfu rwiwe. » Yadondoye uwo mwubahwa w'ishengero nk'umuntu w'amahoro akaba kandi umwungere yitanga,yatanze ubuzima bwiwe ku Burundi n'abanyagihugu babwo. Ku bwa Bazombanza,urupfu rwiwe rwaragize inkurikizi ziboneka, haba ku gihugu canke ku makungu. « Uwo muntu yari intumwa y'amahoro, ubuzima bwahagaze ku buryo bubabaje. Naho abamwishe bashatse kuzivya ijwi ryiwe, ntibazokwigera bashobora kuzimya

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 3)*

umuco yadometse.»Yaramenyesheje ko itanguzwa ry'ico cibutso ari carimwe icibutso gifadika bikongera bikaba kwibutsa abarundi umuntu w'akataraboneka. Gushiraho ico kigo ni ikimenyetso c'«intsinzi y'ubuzima ku rupfu ».

Vyongeye,muri urwo rugendo,inkuka za misa zarabaye, nko muri paruwase ya Minago hamwe n'iya Saint-Antoine-de-Padoue, iri ku cibutso ca Bikiramariya ku rwego rw'igihugu i Mugera, mu kuninahaza iyurizwa rya Bikiramariya yasamye atagicumuro. I yo nkuka ya misa yarimwo abasenyeri benshi,intumwa ya Papa mu Burundi, bamwe mu basaseredoti, hamwe n'isinzi ry'abemera, harimwo n'umukuru w'igihugu c'uburundi, Evariste Ndayishimiye. Mu nsiguro yiwe, Cardinal Parolin yarasavye abamwumviriza kurengera inyungu zabo kugira bakore ku neza ya bose, cane cane mu burere buri mu ndyane, kugira ababababaye bashobore gusubira kuronka agateka kabo hamwe n'umutekano wabo.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

### **Imbonerakure zivuye muri KONGO zivuga ivyo zahenzwe**

Inyuma y'amezi 8 zirungitswe muri Kongo gufasha ingabo za Kongo kugwanya umuhari wo ku wa 23 Ntwarante, abanywanyi benshi b'umugari w'urwaruka rw'umugambwe CNDD-FDD,bitwa Imbonerakure, bemeza ko batarose nakimwe muvyo bemerewe.

Kubwo intahe zabo,zatororokanijwe mu rwaruka ruheruka gutaha, abarongozi bari babemereye ama dorari 500 y'amanyamerika umwe umwe,hamwe no kugaburirwa ariyo bari. Ariko nta nakimwe muri ivyo vyose cakozwe. « Twategerezwa kuronka ayo mahera kandi tukagaburirwa,ariko vyose vyaguye mu mazi ». vyiganwa n'umwe muri bo,twasanze muri zone Buganda.

Imbere yo kujabuka urubibe baciye ku ruzi Rusizi, urwo rwaruka rwarahuguwe ku vya gisirikare binyaruka vy'imisi 3 mw'ikambi yo mwishanba no ku kibuga. « Bari bavuze ko hagize umwe muri twebwe apfa, umuryango wiwe uzoronka imfashanyo. Ariko benshi baraguye ku rugamba, kandi ababo ntibanaronse uburenganzira ku migirwa isanzwe », vyidoga uwundi yahoze ku rugamba,twasanze iMabayi, aho yari yararonkeye amahugurwa mu kibira.

Uno musi, abantu benshi batinya ubusuma bugiye kugwira hamwe n'amabi, urwo rwaruka rutaha rutagira uburyo mu bukene bukabije. Abantu baho bahamagarira abarongozi, hamwe cane cane n'igisirikare, gukwirikiranira hagufi abo bahoze ku rugamba kugira bakinge ivyoba vyose.

Abajijwe kuri ivyo,uwurongoye ingabo z'abasirikare bo mu Cibitoke umugwi w'112 yemeza « ko atanakimwe azi » ku vyerekeye izo Mbonerakure ziri muri Kongo, akagirako agabisha : « Uwuzokora ubwicanyi azohanwa hakurikijwe itegeko. »

### **Itangwa ry'ibikoresho vya gisirikare ku mbonerakure muri komine Muyinga intara Buhumuza**

Ku wa 9/8/2025, muri komine Muyinga,intara ya Buhumuza,mu gihe co kwigina gutangura amabanga kwa musitanteri mushasha, harabaye itangwa ry'umwambaro ku rwaruka rw'Imbonerakure za CNDD-FDD rwose ziva mu ma zone atandukanye z'iyo komine nyene.

Kubwo abavyiboneye baho, iruhande y'iyo myambaro, barabahaye n'ibirwanisho bicira umuriro hamwe n'ibikoresho vyo gutumatumanako mu ntumbero yo gucunga umutekano muri komine yose. Kubwo abantu baba muri iyo komine, izo mbonerakure zirica zigakiza. Iyo hari ingorane hagati y'abantu 2, ni bo bafata ingingo naho vyoba ari ivyokozwe n'inyamiramabi.

Twokwibutsa ko izo Mbonerakure ziri ku mategeko ya Shabani NIMUBONA, umushingamateka yatowe mu ntara ya Buhumuza.

## *I.3.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

**Inyinyurana muri komine Rumonde, intara ya Burunga**

Ku wa 13 Myandagaro, mu Rumonge,mu ntara ya Burunga, Tuyihimbaze Asmani, avuka ku Muyange, komine Nyanza na Paul Ndagijimana,avuka i Kabarore, intara Butanyerera, bose uko ari 2 baba i Nyanza-Lac, barahagaritswe bafatanywe iritiro 440 z'igitoro camagendo gitwawe mu ngendeshwa ikozwe mu kigunguru gishobora gutwara iritiro zirenga 500.

Kubwo ivyabona vy'aho,baraciriwe urubanza rw'ikibiriraho bukeye bwaho na sentare nkuru yo mu Rumonge kandi abo bagabo 2 ntibabihakanye, bemeza mugabo ko bakorera intwazangabo yo ku rwego rwo hejuru mu gipolisi afise ipete rya colonel, Moïse Arakaza batazira « Nyeganyega ».

Umushikiriza manza ubwambere yari yabasabiye umunyororo w'amezi 6, ihadabu ry'amafaranga 600.000 hamwe n'indishi y'akababaro ya 500.000f ahamwa Reta. N'aho biri uko,bamaze kuva mu mwiherero, sentare yahanishije umwe wese mu bagirizwa icaha umunyororo w'umwaka 1, ihadabu rya 1.000.000f hamwe n'indishi y'akababaro ya 500.000 f bariha Reta. Imodoka yafashwe yarabitswe kugira yegukire Reta, kandi izo 500 L z'igitoro kizogurishwa icamunara ku giciro caReta,ayavuyemwo ajanwe mu kigega caReta.

Ariko ibibazo bigumaho ku ruhara rw'intwazangabo yo kurwego rwo hejuru yavuzwe muri ayo manyanga, ifatwa ryiwe ritaratomora.

Ababiraba bamwe baribaza naho biri uko ku gutezura mu manza zimwe zimwe zicibwa, baravye ko muzindi manza, abakozeurudandazwa rw'amagengo bagafatanwa ikidumukimwe c'igitoro bahanishijwe ibihano biremereye gusumba.

Kw'ihagarikwa rishobora kuba rya Colonel Moïse Arakaza, musitanteri wa komine Rumonge, Augustin Minani, avuga ko uwutwara sentare nkuru ya Rumonge, ariwe yobimenya.

Vyongeye, Moïse Arakaza batazira « Nyeganyega » nawe nyene yarahagaritswe afise 60 l z'igitoro co mu bwoko bwa essence mu micungararo ya Kigwena kuri uwo musi nyene, muri komine Rumonge nyene. Kubwo amasoko yo mu gipolisi,yarahanze abapolisi n'inkoho yo mu bwoko bwa pistolet mu kubagabisha ko yobarasa, imbere yo kuva aho hantu ariko izo 60 l zarafashwe n'abapolisi bo mu Kigwena.

Nta nkwirikizi n'imwe gushika ubu yabaye kuri colonel Moise Arakaza. Uko kutagira ikintu na kimwe birazana ibibazo mu banyagihugu baho.

Ico kintu cerekana ko urudandazwa rwa magengo rw'igitoro ruriho mu ntara zose z'igihugu, kandi bikazana impari ku ruhara rwikekwa rw'ibihangange vyo mu rwego rw'umutekano muri ivyo.

Umuhari Iteka usaba ko ubutungane bwokora ku rugero rungana, atakuraba igihagararo canke ico umuntu ari. « Ubutungane ntibwotegerejwe gukora buravye igihagararo.Iyo abakozi basanzwe bahanywe, kuri ubwo n'uwikekwa ko kubatuma yategerezwa na wenyene kwishura kuvyo yakoze imbere y'itegeko ».

**Imyaka 20 niyo izopfungwa abaturiye babishaka kandi bakiba bikabije mu Rutana mu ntara ya Burunga**

Ku wa 14/8/2025, sentare nkuru ya Rutana yahanishije, NJEJIMANA Egide umunyororo w'imyaka 20 kubera yaturiye igikoni ca MPYAYOKURERA Leonie, akongera akaja munzu y'umudandaza NDAYISHIMITE Alexis ku mutumba Matutu, zone Kivoga, Komine Rutana, mw'ijoro ryo ku wa 10/8/2025, kugira yibe 48.000.000fbu.

Yagiriwe icaha nko kubera intahe z'abana, uwo azotegerezwa kandi kuriha 48.000.000fbu NDAYISHIMIYE Alexis hamwe na 2.000.000fbu MPFAYOKURERA Leonie, atari uko abohwe imyaka 30. Azotegerezwa kandi kuriha 4% y'ayo mahera mu kigega ca Reta hamwe n'amagarama mu butungane.

### *I.3.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 5)*

**Abantu babiri bahanywe na sentare nkuru ya komine n'intara ya Gitega bagirijwe ubusuma**

Ku wa 12/8/2025, mu rubanza rw'ikibiriraho imbere ya sentare nkuru ya Gitega, Ivan Nishimwe na Emery Nzoyisaba barahanishijwe umunyororo w'imyaka 10 umwe umwe. Bagirizwa n'umushikiriza manza kwiba. Bari bahagaritswe ku wa 6/8/2025 ahantu hazwi kw'izina rya Place muri karatiye Magarama yo mu gisagara ca Gitega bafise ipikipiki imparati yayo inyegeje hamwe na terefone ngendanwa ya Fausta Habarugira. Ivan Nishimwe na Emery Nzoyisaba baragiriwe n'icaha kubera akaboregwe. Umwe wese muribo uko ari 2 bagiriwe abwirizwa kuriha ihadabu rya 200.000 fbu hamwe n'indishi y'akababaro bose hamwe ya 500.000fbu baha Fausta HABARUGURA. Ipikipiki yakoreshejwe muri ico gikorwa izosubizwa mweneyo Jean Claude Yamuremye kubwa sentare nkuru ya Gitega.

**Irekurwa atarubanza ry'umugabo yagirizwa gufata kunguvu muri komine Karusi intara ya Gitega**

Ku wa 14/8/2025, ku mutumba Mwoya, zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega, abanyagihugu babonye uwitwa Karekezi ariko aratembera yidegemvya ku murwa mu kuru wa Buhiga inyuma y'aho asohowe mw'ibohero rya komisariya mugihe yari yafashe kunguvu.

Twomenya ko kuwa 03/8/2025, Karekezi yari yafashwe ahejeje gufata ku nguvu umwigeme agendana ubumuga agise imyaka 31 y'amavuka.

### *I.4. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE*

**Ugushira ibuye ryambere ku barabara ry'indarayi Uvinnza-Musongati**

Ibirori vyo gushira ibuye rya mbere mu kubaka ibarabara ry'indarayi Uvinza-Musongati vyabaye ku musi wa gatandatu 16/8/2025, ku mutumba Rubara, muri komine Musongati, intara ya Burunga.Ico gikorwa catewe iteka n'umukuru w'igihugu c'u Burundi hamwe n'umushikiranganji wa mbere wa Tanzaniya, hari n'abubahwa benshi b'ivyo bihugu bibiri. Ni ngombwa ko bashira mungiro uwo mugambi, uri mu rutonde rw'ivyo bishinze bitegerezwa kugira haboneke ibarabara ry'indarayi hagati ta Tanzaniya, u Burundi hamwe na Kongo.

Igice Uvinza-Musongati, gipima km 282, kigizwe na km 180 muri Tanzaniya na km 102 mu Burundi. Iryo barabara ry'indarayi ryashizweho kugira rikomeze ubucuti, korosha urudandaza hamwe no guteza imbere umwumvikano w'akarere hagati y'ibihugu ricamwo. Ku ruhande rw'ubutunzi, uwomugambi uharurirwa yose hamwe amahera angana hafi 1.118.000.000 y'ama dolari, ni ukuvuga arenga n'imiriyaridi 3.600 fbu. Uburyo bwo gutangura bukenewe bwaramaze gukingirwa, hamwe na banki y'iterambere ya Afirika kugira hashirweho umugwi ukwirikirana, ufise uruhara rukomeye mu gukwirikirana ivyo bikorwa.

Kunteguro y'imfata kibanza, uwo mugambi uzokorwa mu kiringo kiri hagati y'imyaka 4 n'imyaka 5. Kuvyerekeye aho ibikorwa bigeze, amasezerano yo kubaka yarashizweho ku wa 29/1/2025 i Dar-es-Salaam, muri Tanzaniya, hari abashikiranganji bajejwe inyubako b'ivyo bihugu 2. Abahinga b'ishirahamwe ryitwararika ivyinyubako baramaze gutangura amatohoza ku kibuga kugirango bashireho igicapo canyuma c'iryo barabara ry'indarayi. Twomenya ko ibanki y'iterambere rya Afirika yaremeje ishirwaho ry'umugwi wo gukwirikirana ,ugwego ntagereranywa mu gutanguza ibikorwa. Vyongeye, abahinga b'abashinwa bashika hafi 20 ubu baramaze gushika mu Burundi, mu ntara za Makamba na Rutana, kugira basuzume ko umurongo watanzwe baciga uko rizokorwa. Iyo ntambwe irakomeye kugira habe haboneka ko umugambi uriho kandi utomoye mugihe akarere kaguma gahinduka.

*I.4. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 6)*

**Ukutariha abarimyi b'ikawa vyazanye imyidogo muri komine ya Karusi intara ya Gitega**

Kuva muri Ndamukiza 2025 gushika ubu, abarimyi b'ikawa baridoga kubera bagurishike ikawa na Reta y'u Burundi biciye kw'ishirahamwe ODECA. Babahaye imihango myinshi ivuga ko bagiye kubahemba, ariko ntanakimwe cakozwe. Vyongeye, barasavye abarimyi ko bokuguruza amasandugu y'ububiko mu ma banki canke mu bigega, bababwira ko ihemba ryo mu ntoke ritagishoboka. Haciye amezi 2 bayuguruje,ariko ntibarigera baronka amahera. Muri iki gihe, birabagora kuronka amahera yo kugura umwavu, wo kugice c'umwaka w'irima kigiye gutangura canke mbere yo kuriha ibikoresho vy'ishure vy'abana babo, mugihe bari mugusubira mu mashure.Abo barimyi b'ikawa bumvya batakaye kubera ivyo bintu.

**Iyugara ry'isoko ryo ku rubibe rw'uBurundi na Tanzaniya ku nyungu ya Tanzaniya**

Haciye hafi imyaka 3, isoko ryo kurubibe ryitwa kwa Buhinja, kera ryari ku mutumba Murambi mu yahoze ari komine Kibago, ku rubibe rw'u Burundi na Tanzaniya ubu riri i Manyovu (ikiyaya caMalagarazi), muri Tanzaniya.

Iryo soko, ryahuza abadandaza b'abarundi n'abatanzaniya, ryugawe inyuma y'aho Reta y'uBurundi iburije gukoresha amahera yo hanze y'igihugu nk'ama shilingi ya Tanzaniya ku birindiro vyo ku mupaka wa Mabanda, Kayogoro no mu bindi bice vyo mu bumanuko bw'igihugu.

Abarongozi bo muntwaro hamwe no mugipolisi b'i Makamba babiraba nkabatabinezwe mu gihe iryo soko ryari ryazanye uturusho kuri komine hamwe no ku banyagihugu b'aho.

Kubwo ivyabona, icatumye ryo yugara ni akaga karimwo umugore w'umudandaza ava i Tanzaniya n'indongozi y'umurundi yoba yamwankiye gukoresha amashiringi, yoba kandi yaramwankiye gutora ibiharage yari ahejeje kugura. Kuri ubwo, indongozi za Tanzaniya zafashe ingingo yo kwimurira iryo soko ku rundi ruhande ry'urubibe, i Manyovu, mu kiyaya ca Maragarazi (akarere ka Kigoma, intara ya Kasulu), mu ntumbero kubwabo, yo gukingira abanyagihugu babo. Kuva ico gihe, isoko ryitwa « Mukibande » mu kiyaya ca Maragarazi.

Kuva aho, iryo soko ntiryigeze risubira kugururwa ku ruhande rw'i Burundi. Abadandaza b'abarundi bashora ivyabo mu Kibande-Manyovu honyene, bigatuma ubutunzi bwaho bugoyagoya hamwe n'uburyo bw'iyahoze ari komine Kibago, aho ihemba ry'imishahara y'abakozi ba Reta ryari ryahindutse ingorane.

Kubwo intahe nyinshi, abarundi bajayo ubu bategerezwa kubikora mukinyegero, kenshi mw'ijoro, hafi isaha 6 z'ijoro canke isaha 7, kugira ntibahure n'abapolisi babikazemwo ngo babasake, Imbonerakure hamwe n'abakozi b'ikigo OBR, barondera kubabuza. Ivyo bikora cane cane ku borozi bashora bajabukana inka, impene canke kandi inkoko mu Kibande, kubera batagira irindi soko boshoramwo ivyo bitungwa vyabo.

Abarongozi baho bavuga ko ibifungurwa n'ibitungwa bishorwa muri iryo soko, aho bagura mu mashiringi y'ama tanzaniya afise agaciro ubu gasumba incuro 3 amafaranga y'amarundi. Inkurikizi niiduga ry'ibiciro iyo ibidandazwa biza mu Burundi.

« Vyahindutse amananiza kugarukana iryo soko, ariko riri ku metero zikeya gusa uvuya ku ruzi Maragarazi, rugabura u Burundi na Tanzaniya », vyidogwa n'abatware, bafata ko izo nzitizi ari inkurikizi z'ingingo ya gihutihuti y'indongozi z'abarundi.

## *I.4. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 7)*

### Ikena ry'amazi meza muri Komine Bururi,intara ya Burunga

Ikena ry'amazi meza ku bitaro Anders Gahore ry'iKiremba muri komine Bururi intara ya Burunga kuva ku wa 7/8/2025. Abagwayi, abagwaza hamwe n'abakozi bo kuri ivyo bitaro vyegukira ishengero rya pentecote bafise ubwoba ko bofatwa n'ingwara z'isuku rike.Ni kimwe mu nkurikizi zo kubura umuyagankuba wa REGIDESO kubera ivyo bitaro vyahabwa amazi meza ava mu kuzimu hakoreshejwe umuyagankuba.Kubwa umuyobozi w'ivyo bitaro Muganga Yves Nimubona avuga ko yari kwirukira imashini yatsa amatara mu kibanza c'umuyagankuba ariko kubera kubura igitoro birunyuka.Yongerako kandi ko uburuhukiro bw'ivyo bitaro butagikora kuva uwo musi kubera kubura umuyagankuba. Abakenera uburuhukiro ntibakirwa kandi bategerezwa gutegura guhamba ababo umusi nyene bapfiriyeko ku bwa muganga Yves.

Abantu bakora ubuzi butandukanye busaba umuyagankuba nk'abasudira, abadandaza amata,abanyamabanga bigenga hamwe n'abandi bakoresha ivyuma nyabwonko mu makomine Bururi na Matana barihebuye kubera amatara icika ry'umuyagankuba.Bamwe bidoga ko bataronka ico bafungura kandi basaba REGIDESO gukora ibishoboka vyose itore inyishu.

### Isaka ry'agasakisaki rigirwa n'igipolisi ku badandaza bamwe bamwe bagirizwa kudandaza igitoro camagendu muri komine Bugendana intara ya Gitega

Ku wa 12 na 13 Myandagaro 2025, ku mugwa mukuru wa Bugendana, komine Bugendana, intara ya Gitega (Ibarabara ry'igihugu-Gitege-Ngozi), igikorwa c'igipolisi cakorewe ku badandaza b'igitoro camagendu ku mugwa mukuru wa Bugendana.

Kuri uwo mugwa mukuru,ikirindiro kimwe conyene co kunywesha igitoro nico kihari,ariko haciye amezi arenga 5, nta n'ima ry'igitoro rihaboneka. Muri kahise, n'imbere y'umuzo w'ico kirindiro, igurishwa ry'igitoro camagendu ryari rihagwiriye.

Izi ndwi za nyuma,aho ibura ry'igitoro rikora ku gihugu cose, umugwa mukuru wa komine Bugendana ubandanya ukironka kubakigurisha bakivanye i Muyinga, kivuye muri Tanzaniya.

Abahaba baratangaye babonye abadandaza bamwe bamwe barafashwe mugihe abandi,ari nabo bakomeye muri ako kazi, batigeze bakakazwa kandi babandanya urudandazwa rwabo ku mugaragaro.

Kubwo ivyabona vyinshi vyaho,buca basaka,ku wa 12 Myandagaro hafi isaha 1 y'ijoro, abarongozi 3 bo mu gipolisi hamwe n'abo mw'igendereza ryaho, Ndayikeza Arnaud (komiseri wa komine mu gipolisi, Niyonizeye Egide (igendereza rya Bugendana) hamwe na Harerimana Therance (De corps wa polisi Bugendana), baragiye kuri abo badandaza gutora amahera nk'uko bama babikora.

Kubwa bamwe muribo,abitwa Ezechiel na Justin, bashikirije ko batagira amahera basabwe, basigura uruhombo baheruka. Hanyuma bukeye bwaho mu gitondo, igipolisi carasatse utuzu tw'ubudandarizo twa Justin, Ezechiel hamwe n'utundi turi mu micungararo barasatswe. Justin yarakubiswe imbere yo kujanwa mw'ibohero rya komine Bugendana,aho n'ubu apfungiwe kuva uwo musi hanyuma Ezechiel, nawe, ari mu kinyegero kugira ntahagarikwe. Igipolisi kivuga ko cafashe 150 l z'igitoro kandi inyamiramabi Mahinja Antoine yemeza ko ivya Justin bitamuraba.

Intahe zaho zishikiriza ikumira rishoboka ryateguriwe Justin na Ezechiel baba ku kirindiro c'impunzi z'iBugendana, mugihe abo bakorana basigaye ari Imbonerakure zikomeye kuri uwo mugwa mukuru.

Amasoko yaho avuga ko abapolisi bamwe bamwe baronka amahera imisi yose ari hagati ya 50.000 na 100.000 fbu ku musi kandi ku mudandaza wese kugira babareke bakore ibiciye kubiri n'amategeko.

Twomenyesha ko igiciro caho c'igitoro cerekana ko bihinyanyuwe : icupa kinju rya litiro 1,5 rigurishwa hagati ya 25 000 na 30 000fbu.

### *I.4. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 8)*

**Ugucika intege kw'abarimyi b'icayi muri komine Matongo,intara ya Butanyerera**

Kuva muri Rusama 2025, muri komine Matongo, intara ya Butanyerera, ibiti vy'icayi birenga 70.000 vyararanduwe. Mu nama yabaye ku wa 12 Myandagaro 2025, Janviere Kanyana,musitanteri wa Komine Matongo, afatanije n'uwuserukira ihinguriro ry'icayi rya Teza barakoranije abarimyi b'ikawa b'amazone atatu baranduye ibiti vy'icayi birenga 70.000. Bategetse abatware baho gukwirikiranira hagufi abo bononyi b'itunga ry'igihugu bongere babashire mu butungane.

Twomenyesha ko abarimyi b'icayi baciwe intege n'igiciro bagurishako amababi y'icayi baca bahitamwo kurima ibiterwa mbumbarugo nk'ibigori hamwe n'ibiraya.

### *I.5. UMWIHWEZO W'INTWARO*

**Ihungabana ry'ibikorwa mu Burundi kubere igikagurika ry'umuyagankuba**

Kuva ku wa 4/8/2025, ibisagara vyinshi, harimwo umugwa mukuru w'ubutunzi Bujumbura, buri mu muzimiza ukwiye kubera icikagurika ry'umuyagankuba, wagiye kugaruka buca ari kuwa 14 Myandagaro. Ivyo vyatumye haba ihagarikwa ry'imirimo mu bisata vy'ubuzima bw'imibano n'ubutunzi mu ntara 4 z'igihugu. REGIDESO, ishirahamwe rijejwe gutunganya amazi n'amatara, rishira iryo cikagurika ku bikorwa vyo gukwiragiza, vyategekanijwe hagati y'uwa 4-14/8/2025. Naho rishigikiye ko ayo macikagurika akenewe kugira habe inagurwa ry'umuyagankuba mu gihugu, itangazo ry'umuyobozi mukuru, Dr. Ir. Lieutenant-Colonel Jean Albert Manigomba, ryaratumye bamwe mubakoresha amatara bibaza kw'ikwirikizwa ry'amategeko kuri izo ngingo zirengeye, zisa n'izifata minenerwe ingarukambi ku buzima bwa misi yose bw'abarundi.

Nk'inyishu kuri ayo makenga yashikirijwe, REGIDESO yatangaje, ku wa 10/8/2025, itangazo rigamije kuremesha abanyagihugu, mu kwemeza ico yiyemeje co gukora urutavanako kugira ibikorwa bimare igihe gito. Ariko rero, ikiringo c'iryo cikagurika carakoze kandi no kuvyerekeye kuronka amazi, bituma gutyo abanyagihugu baja mu kiyaga Tanganyika kuyarondera, n'ingaruka yibonekeza y'ingwara z'umwanda nka korera.

Umuhari Iteka nk'abandi barorerezi bari kurubuga babona ko iryo cikagurika ry'umuyagankuba rifise ingaruka mbi cane ku buzima bwa misi yose. Ibisata kizigenza nk'amabanki hamwe n'ibitaro birakorwako cane gose. Nk'akarorero,ama banki nka BBCI na BANCOBU zabaye buhagarike ibikorwa vyazo vya misi yose kubera iryo hungabana. Ku ruhande ry'amagara,ibitaro,uburuhukiro bw'ibitaro Prince Regent Charles, navyo vyarashikiriwe, bigatuma gukora bigorana. Ako kaga kaje mu gihe, haciye amezi makeya, REGIDESO yari yemeye ko ukwezi kwa Mukakaro 2025 kuzorangwa n'itangura ry'ibikorwa rya Kabu 16 hamwe n'amasumo ya Rusumo, vyategerezwa kuzamura ikwiragizwa ry'umuyagankuba kugira horohe iterambere ry'ubutunzi hamwe n'imibano vy'uBurundi.

## *II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

### *II.1. UBURENGA NZIRA KUBUZIMA*

### *II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA*

**Ikiziga catowe muri komine Ntahangwa,intara ya Bujumbura**

Ku wa 15/8/2025, hafi y'ishamba cimeza ry'igihugu ryo ku Rusizi,mu karere ka Gatumba, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura, ikiziga c'umugabo, ataramenyekana, caratowe kireremba ku ruzi Rusizi.

Kubwo ivyabona, ikiziga cari gifise ibimenyetso biboneka ko yaborejwe igufa. « vyaraboneka ko yiciwe ahandi imbere yo gutabwa ngaga », vyashikirijwe n'uwuba muri karatiye.

Abarongozi baho, bari bahari,baremeje ko ikiziga cari caboze cane kandi baciye bategeka ku gihamba kuri uwo musi nyene bisunze ko cari camaze gutangura kubora.

Gushika ubu, umwidondoro w'uwo yishwe nturamenyekana kandi nta hagarikwa narimwe ryigeze rivugwa. Itohoza ryategerezwa kuguruka kugira hamenyekane uko iryo bara ryaguye kandi hamenyekane ababikoze. Kubwo itegeko ry'abarongozi bago, ikiziga carahambwe.

**Itorwa ry'ikiziga muri komine Muramvya mu ntara ya Gitega**

Ku wa 11/8/2025, ku mutumba Murehe, zone Mbuye, komine Muramvya, intara ya Gitega, hafi igihe c'isaha 1 yo mu gitondo, ikiziga ca Bandiye Museremu, afise imyaka 73 avuka ku mutumba Murehe caratowe n'abahita mu ruzi Mubarazi. Kubwo ivyabona vyaho, ikiziga cari gitekeye mw'igunira. Kubw'ivyo vyabona nyene, uwikekwa ko ubwo bwicanyi ni umuvukanyi wiwe Rujora Gerard, afise imyaka 66 kubera amatati y'amatongo. Uwikekwako icaha yarahagaritswe yongera ashirwa mw 'ibohero ry'igipolisi iMuramvya.

**Umunyeshure w'umukobwa yishwe muri komine Nyanza, intara ya Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 11 Myandagaro 2025 ivuga ko kuwa 9/8/2025, ku mutumba Muyange wa zone Nyanza, karatiye Mugumya II, komine Nyanza, intara Burunga, Miella Kaneza, umunyeshure, afise imyaka 9, umukobwa wa Simeon, umwigisha kw'ishure shingiro Muyange II na Godelieve yagiye abona afashwe n'umuriro w'imbeya nini z'igitoro aturiwe n'agahungu gushika ubu kataramenyekana.

Uwo mukobwa muto yabonye yabonye kamugana kavuye ahantu haciye amezi hugaye n'umwango w'icuma ufise agatoboro gatoya arinako kaciyemwo. Kashize ukuboko kwako n'akantu gato kuri nya kigeme kariko koza ivyombo hanyuma ubwo nyene imbeya zaradutse zihereye ku maguru no ku muzu ziwe zose.

Umwana yaratabaje yiruka hanze y'uruzitiro kandi ababanyi barakoresheje umusenyi hamwe n'amazi mu kuzimya umuriro wadugije imbeya ku musogonda ku musogonda. Bashoboye guhagarika ako kaga inyuma y'iminuta 15 kandi umubiri wari wamaze gutokombera kuburyo ikigo kijejwe amagara co ku Muyange kitashoboye kumuvura. Uwagize ivyago yarungitswe bidatevye ku bitaro vy'i Nyanza Lac hanyuma iKibuye bukeye aho uwo yaciye yitaba Imana inyuma y'imisi 5, Ababanyi ntibigeze bamenya uwabikoze. Igipolisi hamwe n'igendereza baratohoje biba impfagusa.

### *II.1.2. ABANTU BISHWE N'AMABI ABERA MUMAZU MU MURYANGO*

**Umugore umwe yarishwe n'umugabo wiwe muri komine Cibitoke mu ntara ya Bujumbura**

Umugore umwe yarishwe n'umupanga inyuma y'impari be n'umugabo wiwe muri komine Cibitoke,intara ya Bujumbura. Kubwo amakuru ahari,i ryo bara ryaguye mw'ijoro ryo ku wa 14-15/8/2025, ku mutumba Rusiga, mu karere ko Kumase. Uwikekwako icaha yarahagaritswe kandi ubu abohewe n'igipolisi kumugwa mukuru wa komine Cibitoke. Kubwo amasoko yo mu gipolisi, uwikekwa ko icaha ntiyishura ku bibazo vy'abatohoza. Abanyagihugu baho bari bashavuye cane kandi bahatswe kumwica imbere y'uko afatwa. Twomenya ko iryo bara riri mu mabi meshi yo mu mazu kandi agateka ka zina muntu kageramiwe mu Burundi. Kubwo ivyegeranyo vyacu, intara ya Cibitoke yarakorewemwo ayandi mabi asa n'ayo muri kahise.

### *II.1.3. UKUNYURUZWA BE N'UKUBURWA IRENGERO*

**Umuntu umwe yaranyurujwe muri komine Mugere,intara ya Bujumbura**

Ku wa 11/8/2025, Arakaza Lewis afise imyaka 21, aba mu Gasekebuye, komine Mugere,intara ya Bujumbura yaranyurujwe n'abantu bataramenyekana. Kubwo abavyeyi biwe, Richard Niyokwizera na Evelyne Hatungimana, baba mu Gasekebuye, bashikirije ko umuhungu wabo yavuye muhira iwabo muri komine Mugere hafi isaha 4 zo mu gitondo kandi atasubiriye kwerekana ko ari muzima kuva ico gihe kandi ivyo bagerageje vyose kugira basubire kumubona ntaco birashikako.

**Umuntu umwe yarabuzwe irengero muri komine Shombo,intara ya Gitega**

Kuva ku wa 11/8/2025, ku mugwa mukuru wa Nyabikere, komine Shombo, intara Gitega, Daniel, umunywanyi wa CNDD-FDD, afise imyaka irenga 30, avuka ku mutumba Butamenwa, zone NYABIKENKE, komine SHOMBO muri ikigihe yarabuzwe irengero ari mu minwe y'igipolisi. Kubwo ivyabona vyo mu karere,uwo yabuwe irengero yafashe isahani y'imfungurwa igurwa 2000f mu nzu y'uburiro iri ku murwa mukuru Nyabikere ariko yari afise amahera 1000 conyene mu mufuko iwe hanyuma nyene inzu y'uburiro Jean Marie ahamagara komiseri aho kumuha akanya ko kuja kuronera amahera asigaye. Ahejeje gufungura, yaramenyesheje nyene ubwo buriro ko yari arindiriye ko umukoresha wiwe ashika kugira amuhembe ace ariha. Kubwo ababibonye, abapolisi baraje baca batangura kumukubita hanyuma bamutwara mw'ibohero rya zone Nyabikere aho yashizwe mu kumba ka wenyene bahejeje kumukubita kandi. Iryo soko nyene ryongerako ko abandi bapfunzwe basavye ko batopfunga umuntu yaremvye. Abapolisi baciye bafata ingingo yo kumujana ku kigo c'ubuvuzi ca Nyabikere ariko abaforoma barase kumwakira kuko yari aremvyekandi inyuma y'aho,ntanumwe aramubona gushika uyu musi. Ababa muri zone Nyabikere bafise amakenga ku vyakorewe uwitwa Daniel kandi basaba ko boronka umuco.

## *II.2. UMWUMVIKANO MURI VYOSE NA HOSE*

### *II.2.1. KUBOREZWA IGUFA, IMINYORORO HAMWE N'UGUFATWA BUYAMASWA N'AYANDI MABI*

**Umutu umwe yaraborejwe igufa muri komine Kirundo intara ya Butanyerera**

Ku wa 13/8/2025, mu bunywero bwa Ndayisenga Elia (Sabuhungu), ku mutumba Ruhehe, zone Bugabira, komine Kirundo, intara Butanyerera, Ruhengwe Patrice afise imyaka 51 akaba umunywanyi w'umugambwe UPRONA, akora amamodoka yarakubiswe n'umugwi w'Imbonerakure zirongowe na Ndayisaba Viateur, afise imyaka 35. Kubwo ivabona vyaho, inkomoko y'amatati zari impari za politike barimwo hanyuma Ruhengwe arabagwanya. Kubwo ivyo vyabona nyene, uwo yagize ivyago yaraye hanze mu gihe atashobora kwiyunguruza kubera yakubiswe kandi bamuhaye ubufasha mu gatondo. Igipolisi kiriko kirondera abo bagizi ba nabi kandi uwitwa Kajisho Emmanuel yarafashwe n'igipolisi ku mwo z'amatohoza. Twomenyesha ko uwo bavukana

## *II.2.1. KUBOREZWA IGUFA, IMINYORORO HAMWE N'UGUFATWA BUYAMASWA N'AYANDI MABI (Ibikurikira urupapuro 11)*

n'uwagize ivyago, Ntagambira Jean Prosper, yitoreza gutwara umutumba, yagirizwa n'Imbonerakure kubera ubwoko hamwe na kahise kiwe ko kuba impunzi mu Rwanda. Uwaborejwe igufa yarashizwe mu bitaro vya Kirundo.

**Umuntu umwe yarakubiswe muri komine Busoni,intara ya Butanyerera**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 11/8/2025 ivuga ko ku wa 10/8/2025, ku mutumba Nyenzi, komine Busoni, intara ya Butanyerera, Barinakandi yatowe mu muserege afise ibikomere kw'izosi kandi yataye ubwenge. Kubwo ivyabona vyaho, hari umugwi w'Imbonerakure 3 harimwo harimwo Karorero Felix, Rugema hamwe na Salvator bariko bakizura mw'ijoro hafi y'ahantu yatowe. Umuryango wiwe uvuga ko aribo bamukubise ariko ntibigeze baronka umutahe mugihe ikinga ryiwe,ibiro 20 vy'ibiharage hamwe na 70.000f bitabonetse kandi bataka ubutungane. Ababanyi nyene baremeza izunguruka ry'izo Mbonerakure muri iryo joro nyene. Inyamiramabi yari ifise urwo rubanza yabariye umuryango ko wo bobimenyesha umukuru w'Imbonerakure za komine ariko umuryango warase.

## *II.2.2. ABAHUYE N'AMABI AFATIYE KU GITSINA*

**Umukobwa umwe yarafashwe ku nguvu muri komine Kayanza, intara ya Butanyerera**

Inkuru umuhari Iteka warose ku wa 14/8/2025 ivuga ko ku wa 4/8/2025 ku mutumba Bubezi, zone Kayanza, komine Kayanza, intara ya Butanyerera, Mayoya Estella agendana ubumuga afise imyaka 12, umukobwa wa Barihuta Alexis na Minani Asterie, yarafashwe ku nguvu na Barenga Bernard afise imyaka 41, umubanyi w'umuryango w'uwafashwe ku nguvu.

Umwana yari yicaye imbere y'inzu mugihe abavyeyi batari muhira haca haza uwo mugabo Barenga azanye ibitumbura 2. Yabwiye uwo mukobwa ko agomba kumuha ivyo bitumbura ariko bari munzu amaze kumenya ko umwana yari muhira wenyene. Yahaye igitumbura umwana hanyuma yaramujanye munzu aca amufata ku nguvu. Ahejeje, umugabo yaciye ahunga umwana nawe asigara arambaraye ku mukaze gushika abavyeyi baze hafi igihe c'isaha 10.

Umwana yaravuze uwikekwako icaha kandi abavyeyi baciye baja muhira iwe basanga hugaye n'igufuri. Twomenyesha ko uwikekwa ko icaha yari apanze muri iyonzu. Abarongozi bo ku mutumba barafashije abavyeyi mukujena umwana ku bitaro vyo mu Kayanza kugira afashwe ariko uwikekwako icaha ntiyagarutse muri iyonzu kandi ntaraboneka gushika ubu.

**Umukobwa umwe yafashwe kunguvu muri komine Mugere, intara ya Bujumbura**

Ku wa 14/8/2025, muri karatiye Kajiji,komine Mugere,intara ya Bujumbura, KANKINDI Emeline, w'imyaka 16, akora munzu muri karatiye Kajiji yarafashwe ku nguvu n'umukoresha wiwe Reverien Nzigamasabo, umunywanyi wa CNDD-FDD. Kubwo ivyabona vyaho,yikitse mu kiza kubera umugore wiwe atariho yari ari, yari yagiye kwipimisha kwa muganga. Imbere yo kubikora, yagerageje kumuhendahenda mu kumwemerera amahera angana na 50.000 hamwe no kumwongera umushahara.Inyuma yo gufatwa ku nguvu,uwo yonywe, atuntuye cane kandi afise n'ububabare bwo ku rukoba, yafashe ingingo yo kwitura ababanyi biwe.Abo nabo bamuherekeje ku kigo citaho amagara ADRA, kiri muri iyo karatiye Kajiji nyene,kugira aronke ubufasha bijanye. Reverien NZIGAMASABO yaramenye ko vyamemyekanye aca arahunga.

### *II.2.1. UBURENGA NZIRA BW'UMWIDEGEMVYO*

### *II.2.1.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

**Umuntu umwe yarahagaritswe muri komine Rwibaga,intara ya Bujumbura**

Ku wa 14/8/2025, ku mutumba Rukina, zone Mukike, komine Rwibaga, intara ya Bujumbura, Nikura Gabriel umudandaza na Tharcisse yariko akwiragiza ibinyobwa vya Brarudi mu baguzi biwe barafashwe n'abapolisi bavuye i Mayuyu. Bukeye bwaho, abapolisi basubije umushingantahe Nikura aho bamukuye kandi bagumya ibinyobwa vya Brarudi yari afise.

Ico gikorwa giheze, umushingantahe Nikura Gabriel yaciye arungikwa kandi i Mayuyu, hanyuma, hafi igihe c'isaha 9, atera ajanwa i Bujumbura. Kuva ico gihe gushika ubu, nta nkuru n'imwe yiwe ivugwa : si umugore wiwe si ababanyi ntanumwe azi iyo ari. Intwari yaho kandi irashikiriza akababaro kayo : « Iyo umuntu ahagaritswe n'umutahe uzwi, ni ibisanzwe. Ariko akaburwa irengero munyuma ata no kumenya aho ari, biraraje ishinga. Ivyo bizana icuka c'ubwoba mu banyagihugu. »

Abarongozi mu gipolisi ntibaramenyesha ku mugaragaro ivyiwe.

## *III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI, IMIBANO N'IMICO KAMA*

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUZIMA BW'UBUTUNZI*

**Inkurikizi z'icikagurika ry'umuyagankuba mu Burundi**

Haraciye imisi myinshi, abarundi benshi bafise imirimo bakoresha umuyagankuba bari mu kaga gakwiye mu bikorwa vyabo. Icikagurika ry'umuyagankuba ryashikanye ibisata vyinshi mu kaga k'ubukene ariko burandagata. Abadandaza amata,abamwa imishatsi, abafise ubunywero, amazu y'ingenzi hamwe n'uburiro bafise ingorane zo gukora ibikorwa vyabo hamwe no gukanyisha ibidandazwa vyabo bitagishoboka.

« Tumaze hafi indwi yose ata muyagankuba. Tuzoriha amazu canke abakozi bacu gute ? », vyidogwa n'uwufise akabare mu gisagara hagati.

Ibitaro hamwe n'amavuriro ntivyasigaye inyuma, kubera kubura umuyagankuba, ibikoresho bimwe bimwe vyo kwa muganga bikenerwa ntibikoreshwa, bigatitura akanovera k'ubuvuzi hamwe n'umutekano w'abarwayi.

Abanyamabanga bigenga hamwe n'iyindi mirimo yo mu ntwaro bikora mu kayombekera cane cane mu gusohora ivyangombwa, ugutumatumanako ku materefone hamwe no gutunganya ivyangombwa, bijanye n'ingendo z'abanyagihugu.

**Abanyagihugu batswe amatongo yabo kubera inzahabu muri komine Mugina,intara ya Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 17/8/2025 ivuga ko ababa ku gacimbiri Nyamikoma, kari ku mutumba Nyarure, komine Mugina, intara ya Bujumbura, baratera akamo ko gusaba imfashanyo bihebuye imbere yinyagwa ku bwinshi ry'amatongo kugira acukurwemwo ubutare biciye kubiri n'amategeko, bikorwa n'abubahwa bo hejuru b'igihugu.

Haciye amezi atanu,hariko hari icukurwa ry'ubutare ahangana na 10ha hegukira iyo miryango. Ikirindiro co gucukura, kizwi kw'izina rya Nyamikoma-Nyarure, kiri hafi y'aho bahingurira icayo (OTB). Abaho bemeza ko igikorwa kiba atavyo bumvikanye kandi ata ndishi y'akababaro.

Amasoko menshi yaho yagiriza abatware bo hejuru ba reta y'uBurundi kugenzura iryo cukura. Muri bo,harimwo General Silas Ntigurirwa, uwutwara inamankenguzamateka Gervais Ndirakobuca, colonel de police Careme Bizoza, hamwe n'umushingamateka Justin Niyobuhungiro.

Kubwo ivyabona vyaho,abakozi barenga 300 bakora aho kandi ikirindiro gicungerewe n'abasirikare. Yatswe imirima yayoo, imiryango ntikigira ico ifungura kandi yikanga ikigoyi.

« Twatakaje amatongo yacu, yariyo buraro n'uburamuko. Ntitukibona uko tugaburira abanabivuga.

### *III.2. UBURENGA NZIRA KU MAGARA*

**Ubuzima bw'abanyagihugu bukinishwa ku nyungu muri komine Cibitoke,intara ya Bujumbura**

Iki cegeranyo gishira ahabona ibirego bikomeye vy'amabi akorerwa agateka ka zina muntu mw'ivuriro AGAPE mu Rugombo, muri komine Cibitoke. Amakuru twatororokanije avuga kw'itituka riboneka ry'akanovera k'ubuvuzi, bigatuma hapfa abarwayi benshi, hamwe n'ivyagiriji vy'ubunyonyezi bw'ubutunzi be no kudahana muri politike.

Ivuriro AGAPE, ryari rifitaniye isezerano na Reta y'uBurundi ku mugambi wayo wo kuvuza abakenyezi bibungenze ku buntu hamwe n'abana bari musi y'imyaka 5, unomusi ryagirizwa vyinshi. Kuva 2018, impfu nyinshi z'inzoya hamwe n'izo abagore bibungenze zabaye kubera kubura abakozi hamwe n'ubuvuzi nyabwo.

Vyunyutse kubera abakozi bavura benshi bataye akazi, bavuga ko imishahara ari mitoya,n'icuka bakoreramwo atari ciza.Iryo bura ry'abahinga ryabashika ku bufasha butabaho mu buvuzi, nk'uko vyerekanwa n'urupfu rwa Privat MANIRABOGORA, rwabaye ku wa 21/7/2025 azivye amara kubera habuze ubuvuzi nyabwo.

Itituka ry'ibikorwa vy'ivuriro rifitaniye isano n'ibikorwa vy'ubunyonyezi. Ivyegeranyo bifutanganije vyatumye ivuriro rinyuruza imfashanyo za Reta y' uBurundi, amafaranga arenga umuriyaridi y'amarundi ku mwaka, muntango yari agenewe umugambi wo kuvura kubuntu.

Mwene ivuriro,umushingamateka Lubassa, ari kw'isonga y'ivyo vyagiriji. Ijunja ryiwe muri politike riza nk'igituma adahanwa. N'aho Reta hahejeje amasezerano yayo na'ivuriro mu 2029 na 2024, nta gihano nakimwe umushingamateka yafatiwe canke abakozi bavura bari murivyo.

## *IV. UGUSOZERA HAMWE N'INKEBUZO*

Umuhari Iteka uriyamiriza wivuye inyuma itituka ribandanya ry'agateka ka zina muntu mu Burundi kandi uranegura ukudahana abakora amabi. Urasaba abarongozi b'uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi ukebura ibikurikira :

Kuri Reta ya Gitega :

1. Gufata ingingo kugira bakinge zo gukinga ubwicanyi buteguwe, nk'ubukorerwa inzoya hamwe no kwihanira;
2. Gutohoza ku bwicanyi hamwe no kumenya ababukora kugira bahanwe hisunzwe amategeko;
3. Gufata inginzo zo gukinga kuboza igufa hamwe no gufata bunyamaswa hamwe n'ayandi mabi;
4. Gufata ingingo zo gukingira abafashwe ku nguvu hamwe no kubashigikira bikwiye;
5. Gufata ingingo zo guteza imbere ubutunzi burama hamwe no kugabanya ubukene;
6. Kuronsa ubuvuzi abanyagihugu bose, atagukumira.